Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI


Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°802 01 Munyonyo 2023

# Amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano agiye kuja mu ngiro (Ibikurikira)



Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

Uwujejwe uruganda:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

Abamenyeshamakuru:
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Uwujejwe ubuhinga:
* *Chanel HARINGANJI*

Umunyamabanga:
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

Umunyabigega:
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

Uwujejwe imigenderanire:
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

# Umukenyezi, we shimikiro ryo kurwanya ubukene n'inzara



Foto: Chanel HARINGANJI

Soma ku Rup. 5

## Ibirimwo

o «N'imitima yuzuye urukundo, bafata urugendo».....................................3
o Abigeme barakwiye kwijukira ibisata vy'ubuhinga.................................6
o Igice ca mbere c'inama nsangizangendo caraye gisozerewe..................7
o Abarwaye indwara zo mu mutwe bafise uburenga-nzira co kimwe n'abandi bose.....................................................................................8

# Idominika ya mirongo Itatu n'imwe: Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Malakiya: 1; 14 – 2.2.8 -10*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Malakiya:

*(Mwarataye inzira, mutako muhubisha benshi)*

Ng'iri ijambo ry'Umukama Imana y'ingabo: Arakavumwa umubeshi afise impfizi mu busho bwiwe, ariko akegurira kandi akabagira Umukama imbagwa ifise agahonzi. Nkako ndi umwami ahambaye, ni irivuzwe n'Umukama Nyeningabo, kandi izina ryanje rirubahwa mu makungu.

Nimutumviriza, kandi nimutashira ku muzirikanyi uguha iteka izina ryanje, nzobarungikira umuvumo, nzovuma imihezagiro yanyu; mbere nayivumye, kuko mutabishira ku muzirikanyi. Ni irivuzwe n'Umukama Nyeningabo.

Ariko mwebwe mwarataye inzira, mutuma benshi batirimuka kw'itegeko. Mwaratyoje isezerano rya Levi, ni irivuzwe n'Umukama Nyeningabo. Nanje rero natumye mukengerwa, ntuma musubizwa hasi imbere y'igihugu cose, kuko mutazigamye inzira zanje, mukagira nkunzi mu mategeko.

None ntidufise Dawe umwe twese? Mbega si Imana imwe nsa yaturemye? None ni kuki duhemukiranira, umuntu agahemukira mwenewabo mu guhumanya isezerano rya ba sokuru?

Abayuda barahemutse. Ishano ryarakozwe muri Israyeli n'i Yeruzalemu. Nkako, Abayuda barahumanije ingoro nyeranda ikundwa n'Umukama, mu kwabira umukobwa w'imana y'inyamahanga.

Umukama azokwomora mu mahema ya Yakobo umuntu akora gutyo, yaba uwuterama, uwishura, hamwe n'uwuhereza ishikanwa Umukama Nyeningabo. Ng'iki ikintu kigira kabiri mwakoze: uruhimbi rw'Umukama murwuzuza amosozi, amarira n'iminiho, kuko we atakiraba ishikanwa, kandi atacakira neza ibivuye mu minwe yanyu. 14 Muvuga muti: "Ni kuki?"

Nkako Umukama yabaye icabona hagati yawe n'umugore wo mu buto bwawe, ukaba waramuhemukiye, kandi yari umugenzi wawe, akaba n'umugore mwasezeranye.

## Igisomwa ca kabiri : *1 Abanyatesalonikai 2, 7- 9.13*

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere ry'Umutumwa Paulo yandikiye Abanyatesalonika :

*(Ico twashaka kubahebera si Inkuru nziza y'Imana gusa, ariko kandi ni ubuzima bwacu)*

Ncuti zanje : n'aho twari gushobora kubaremera kuko turi abatumwa ba Kristu, ariko twamye twitonda aho twari iwanyu, nka kurya umuvyeyi abungabunga abana biwe. Nkako twari tubafitiye igishika, ku buryo tutari kubigisha Inkuru nziza y'Imana gusa, twari no kubahebera ubuzima bwacu. Ni ukuri, mwari mwadushitse ku nyota. Muribuka benewacu, ibikorwa n'uburuhe twarimwo. Twarabamenyesheje Inkuru nziza y'Imana, tugakora ijoro n'umutaga ngo twoye kuremera n'umwe muri mwebwe.

Na twebwe, igituma tudahengeshanya gukengurukira Imana, ni uko mu kwakira Ijambo ry'Imana mwumvise kuri twebwe, mutaryakiriye nk'ijambo ry'abantu, ariko mwaryakiriye nk'uko riri nyene nk'Ijambo ry'Imana, ryama rirabaha ingoga mwebwe mwemera.

## Inkuru nziza : *Matayo : 23,1– 12*

**Alleluya, Alleluya.**

*- So mufise ni umwe ni uwo mw'ijuru; Umuhanyi mufise ni umwe, niwe Kristu.*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru Nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo mweranda:

*(Ico bavuga si co bakora)*

Muri irya minsi, Yezu araheza abwira ishengero n'abigishwa biwe ati: «Abanditsi n'Abafarizayo bari mu cicaro ca Musa. Ivyo bobabwira vyose rero murabikore kandi mubizigame, ariko ntimwigane ivyo bakora. Nkako ivyo bavuga si vyo bakora. Batekera imizigo iremereye kandi igoye gutwara, bakayiremeka ku bitugu vy'abantu, kandi bobo batipfuza kuyikozako n'urutoke.

Ivyo bakora vyose babikora ngo babonwe n'abantu. Nkako bagira amafilagiteriya yagutse, bakongereza ubuyonga bw'imitamana yabo. Bakunda ibibanza vy'imbere mu misi mikuru aho batumiwe n'ivyicaro vy'imbere mu masinagoga, bagakunda kuramukirizwa ku nama no guhamagarwa n'abantu ngo: "Mwigisha!" Mweho rero ntimurondere guhamagarwa ngo: "Mwigisha!", kuko Umwigisha mufise ari umwe, namwe mukaba muvukana mwese.

Kw'isi ntihagire uwo mwita So, kuko So mufise ari umwe, uwo mw'ijuru, kandi ntimukarondere kwitwa abigisha, kuko Umwigisha mufise ari umwe, akaba ari Kristu. Umukuru muri mwebwe nabe umusuku wanyu! Uwuzoramuka yishize hejuru bazomucuvya, uwuzokwicisha bugufi na we bamushire hejuru.

# «N'imitima yuzuye urukundo, bafata urugendo»

2. Amaso yabo « aruguruka, baramumenya » amanyuye umukate.

Yezu muri Ukaristiya ni We soko n'iherezo ry'ubutumwa

Imitima yuzuye urukundo kubera Ijambo ry'Imana yatumye abigishwa b'i Emawusi basaba iyo ngenzi bari bafatanije urugendo bumaze kugoroba ko yogumana nabo. Niho bari ku meza amaso yabo yuguruka baramumenya igihe yamanyura umukate.

Imbarutso yatumye amaso y'abigishwa yuguruka ni urukurikirane rw'ivyo Yezu yaranguye: kwakira umukate, kuwuhezagira, kuwumanyura n'ukuwubahereza. Wari umugirwa wa Senaka mu muryango w'abayahudi, ariko biranguwe na Yezu ku bw'ububasha bwa Mutima Mweranda, vyibukije abo babiri basangiye ku meza ikimenyetso co kugwiza imikate cane cane ica Ukaristiya, Isakaramentu ry'inkuka yo ku musalaba. Ariko muri uyo mwanya, bamenye Yezu amanyuye umukate, aca aranyika ntibasubira kumubona (Luka 24, 31).

Ico rero kiradufasha gutahura ikintu gihambaye mu kwemera kwacu: Kristu amanyura umukate, ahinduka ubwo nyene Umukate umanyuye, asangiza abigishwa kandi niwe bafungura. Ntiyasubiye kuboneka kuko ari mu mutima w'abigishwa kugira ngo bamuhurumbire ukuruta, akabatumirira gusubira gufata urugendo badatevye ngo bashikirize abandi bose ivyiza bidasanzwe vyo guhura n'Uwazutse! Nuko rero, Kristu yazutse niwe amanyura umukate kandi niwe mukate umanyuwe ku bwacu.

Nico gituma umwigishwa wese amenyesha Inkuru Nziza ahamagariwe kuba nka Yezu, no muri We ku bw'ububasha bwa Mutima Mweranda, uwumanyura umukate kandi akaba Umukate wamanyuriwe isi. Kuri ivyo rero, nukwibutsa ko kumanyura umukate usanzwe ukawuha abashonje kw'izina rya Kristu ari igikorwa rukristu c'ukumenyesha Inkuru Nziza.

Ku rugero rudasanzwe rero kumanyura umukate w'Ukaristiya ari We Kristu nyene ni igikorwa ntangere co kumenyesha Inkuru nziza, kuko Ukaristiya ari isoko n'iherezo ry'ubuzima n'ubutumwa bw'Ekleziya.

Papa Benedigito wa 16 yaravyibukije agira ati: «Ntidushobora kwigumizamwo urukundo duhimbaza mw'Isakramentu ry'Ukaristiya rusaba ku bwa kamere yarwo gushikirizwa bose. Ico isi ikeneye ni urukundo rw'Imana, ni uguhura na Kristu no kumwemera.

Nico gituma Ukaristiya atari gusa isoko n'iherezo ry'ubuzima bw'Ekleziya; ni kandi isoko n'iherezo ry'ubutumwa bwayo: Ekleziya yubakiye kuri Ukaristiya ni Ekleziya imenyesha Inkuru nziza» (Ikete Isakramentu ry'urukundo, n. 84).

Kugira twame ivyamwa, dutegerezwa kuguma twunze ubumwe na We (raba Yoh 15, 4-9). Ubwo bumwe nabwo burangukira mu gisabisho ca misi yose, cane cane mu gushengerera Yezu muri Ukaristiya, mu kuguma mu gacerere imbere y'Umukama agumana na twe muri Ukaristiya. Mu kurangurana urukundo ubwo bunywanyi na Kristu, umwigishwa-mutumwa ashobora kuba uwutangarira ubwiza bw'Imana mu bikorwa vyiwe.

Ese umutima wacu wokwama uhurumbira igihe cose kugumana na Yezu mu gusabana ubwira nka ba bigishwa babiri b'i Emawusi cane cane bugorovye mu kuvuga tuti: «Gumana natwe Mukama!» (Raba Luka 24, 29).

3. Bafata urugendo buzuye akanyamuneza ko kuyaga Kristu yazutse. Itoto ryamaho ry'Umuryango w'Ekleziya ugana abandi.Bamaze kwuguruka amaso bakamenya Yezu « mu gihe yamanyura umukate », abigishwa, « muri ino saha nyene, barahaguruka basubira i Yeruzalemu» (Raba Luka 24, 33).

Ukwo kugenda bihuta, kugira basangize abandi akanyamuneza ko guhura n'Umukama, kwerekana ko «akanyamuneza k'Inkuru Nziza kuzura umutima n'ubuzima bwose bw'abahura na Yezu. Abemera bagacungurwa na We, barabohorwa igicumuro, ukwijirwa, ukuba igihengeri mu mutima nokwikumira. Kumwe na Yezu Kristu akanyamuneza karavuka kakaguma kisubiriza igihe cose» (Ikete Akanyamuneza k'Inkuru nziza, n. 1).

Vy'ukuri, ntawoshobora guhura na Yezu yazutse ngo abure igisharara co 21 kubimenyesha abandi.

Bisubiye, abamenye ko Yezu ari muzima mu Vyanditse no muri Ukaristiya, kandi bafise akariro kiwe mu mitima yabo n'umuco wiwe mu maso yabo, ni isoko rya mbere kandi ntasubirizwa ry'ubutumwa. Abo rero barashobora gushingira intahe ubuzima buhoraho mu bihe bigoye no mu bihe vy'umuzimagiza.

Iy'ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza abatarayimenya; ubutumwa, Ekleziya yahawe n'Umukama yazutse bwo kumenyesha Inkuru nziza zina muntu wese n'abantu bo mu bihugu vyose gushika ku mpera z'isi.

Uno musi kuruta ibindi bihe, isi isinzikajwe n'akarenganyo, amacakubiri n'ingwano, irakeneye Inkuru nziza y'amahoro n'urukiza muri Kristu. Mfashe rero kano karyo kugira nsubire nemeze ko « abantu bose bafise uburenganzira bwo kumenyeshwa Inkuru nziza.

Abakristu babwirizwa kumenyesha iyo Nkuru nziza ata n'umwe bakumiriye, atari nk'uko kwoba ari ukuzana amabwirizwa mashasha, ariko nk'uwubasangiza akanyamuneza, akabereka ubwiza bw'iyo bagenda bagana akabashikiriza inzimano ibushitse » (ibid.14).

Ugushira imbere ubutumwa bwo kumenyesha Inkuru Nziza rero ni ryo hangiro dutegerezwa kwiha,

Ibik. urup.12

# Amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi na Vatikano agiye kuja mu ngiro (Ibikurikira)

*(Bitangurira ku rup.1*

**Ubutumwa bwahawe iyo mirwi mitomito ihurikiwemwo na bose burakomeye cane.**

Mu kurungika imirwi idasanzwe ihurikiwemwo na bose, Musenyeri Bonavanture Nahimana, yarashimitse cane ku bikorwa iyo mirwi mitomito igiye gukora. Uwo mwungere ati: «Ni ngombwa kubabwira neza igikorwa umurwi mutoyi wose ujejwe kugira ngo abawugize bumve uburemere bw'igikorwa tubitezeko. »

*1. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'amashirahamwe y'abakristu katolika (Ingingo ya 14)*

Ingingo ya 14 y'amasezerano hagati ya Vatikano na Reta y'Uburundi itegekanya ishirwaho ry'umwumvikano hagati y'inama nkuru y'Abepiskopi ba Ekleziya Katorika hamwe na Reta ku mashirahamwe y'abakristu kugira ngo ashobore gufatwa nk'ayadasanzwe kuri bimwe bimwe mu mategeko yubakiyeko no kubiyega muvy'amategeko.

Uwo murwi ufise ubutumwa bwo gutomora neza ingene amashirahamwe y'abakristu akora hisunzwe amategeko ya Ekleziya Katolika n'ayigihugu ku bijanye n'amashirahamwe.

Uwo murwi wohera mu kuraba amashirahamwe katorika asanzwe ahari. ivyo vyobafasha no kumenya ingene yagiyeho n'ishimikiro ryayo nk'amashirahamwe.

*2. Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'indero (ingingo ya 15)*

Twihweje uburambe bwa Ekleziya Katolika ku bijanye n'indero mu mashule, akanovera k'indero yayo n'inyubako nyinshi cane muri ico gisata, ingingo ya 15 y'amasezerano hagati ya Vatikano na Reta y'Uburundi itegekanya ishirwaho ry'umwumvikano hagati y'inama nkuru y'Abepiskopi ba Ekleziya Katorika y'Uburundi hamwe na Reta kugira ngo Ekleziya yemererwe atankomanzi gutanga intererano nziza muri ico gisata.

Mu gisata c'indero, Ekleziya Katolika ifise uruhara rudasanzwe. Ekleziya yarashize inguvu nyinshi mu gisata c'indero mu mashure. Muri kino gihe, Ekleziya ifise amshule 700 ayegukira. Muri yo, 574 ni amashure shingiro, 126 nayo ni amashule y'inyuma y'amshule shingiro.

Indero rero ni igisata kimwe mu vyo Ekleziya ifatanya n'igihugu ku neza y'abenegihugu n'igihugu muri rusangi. Hambavu y'iyo ngingo yo gushigikira indero mu mashule shingiro n'inyuma y'igice shingiro, Ekleziya katorika iriko iratunganya umugambi wa Kaminuza yegukira Katorika kugira ngo itange intererano no mu gisata c'inyigisho ya kaminuza.

Uwo murwi wokwisunga amasezerano kuvy'inyigisho yo ku wa 28 Ruhuhuma 1990 n'ingingo zo gushira mu ngiro ayo mazerano zashizweko igikumu ku wa 26 Mukakaro 1990.

Bimwe mubikeneye gutorerwa inyishu ku buryo bwihuta ni ingorane zo gufashanya mu gihe co gutora abayobozi b'amashure yegukira Ekleziya Katorika, guha akazi abihebeye Imana, itegeko ry'uko uwugenwa kugira ngo abe umuyobozi w'ishure arinda kuba yarasanzwe ari umukozi wa Reta, ibikorwa vyihuta cane vyo gusanura amashure ashaje n'ibindi.

3. *Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye n'amagara y'abantu no kuvura (ingingo ya 17)*

Ingingo ya 17 y'amasezerano hagati ya Vatikano na Reta y'Uburundi ivuga amasezerano hagati ya Reta y'Uburundi n'inama nkuru y'Abepiskopi katorika b'Uburundi kugira ngo habe ugukorana neza no gushinga intererano y'uburyo ihabwa Eklziya katolika kuvyo ikorera igihugu mu gisata c'amagara y'abantu, gufasha no kuvura, mu nyigisho no mw'iterambere, atagukumirwa namba kuhabaye mu kwubaha inyigisho shingiro ya Ekleziya katolika.

Uwo murwi uhamagariwe gushiraho amasezerano yo gukorana hagati ya Ekleiya n'igihugu wisunze amasezerano yarahasanzwe muri ico gisata. Ayo nayo ni amasezerano yo gufashanya hagati ya Ekleziya y'Uburundi n'igihugu yo kuwa 31 twarante 2009 n'ingingo zo kuyashira mu ngiro zo kuwa 31 Ntwarante 2009.

Muri kino gihe, Ekleziya Katorika mu Burundi itunganya amavuriro matomato 92, ibitaro 16, ibigo 5 vy'inyigisho z'ubuvuzi, ibitaro 2 vy'i-yakiriro ry'abavyeyi, ibigo 7 vy'abantu bagendana ubumuga bw'ingingo, ikigo kimwe c'ibitaro vyo kurugezo rwa Polyclinique hamwe n'ibigo 3 vy'abagendana indwara zo mu mutwe.

Hakenewe gushiraho ingingo zo gukorana neza ku neza y'ivyo bigo vyose: Intererano ya Reta mu guha ivyo bigo abaganga n'abavuzi bahembwa na Reta, guhabwa imiti imwemwe y'indwara zikunze kwibonekeza no gutomora imigenderanire hagati y'inzego z'Ekleziya zijejwe ibigo vyo mu gisata c'amagara y'abantuhamwe n'inzego z'igihugu muri ico gisata nyene.

4. *Umurwi mutoyi uhurikiwemwo na bose ku bijanye no gushigikirana n'iterambere*

***(Biracaza)***

***Mélance Ndayikeze***

# Umukenyezi, we shimikiro ryo kurwanya ubukene n'inzara

(Bitangurira ku rup.1

Igenekerezo rya 15 Gitugutu uko umwaka utashe, Uburundi burifatanya n'amakungu muguhimbaza umusi mukuru wahariwe umukenyezi mwirimizi.

Ni muri iyo ntumbero aho ku wa 25 uko kwezi nyene kwa Gitugutu 2023, bamwe mu bakenyezi birirmizi bo mu ntara 18 zigize igihugu c'Uburundi bari bishikiye ku kibuga c'umupira w'amaguru mu ntara ya Rumonge bazanye bimwe mu biterwa barimye hamwe n'ibindi bahinguye nk'ibisimbo, inkoko, ibisharizo vyo mu nzu n'ibindi mw'ihayanishwagurisha.

Iyo ntara ikaba ariyo yatowe ngo ihimbarizwemwo uwo musi mukuru w'abakenyezi birimizi ku rwego rw'igihugu.

Mw'ijambo rya Clotilda NTAKARUTIMANA yari yaserukiye abakenyezi birimizi, avuga ko uwo musi



Foto: Chanel HARINGANJI

ushitse mu gihe bishimira utwigoro twa Leta y'Uburundi mu kubateza imbere na cane cane afatiye kw'ishingwa ry'ibanki y'abakenyezi mu ntumbero yo kubafasha kuronka ingurane zitavuna.

Yagiriyeko akengurukira abatunganije iryo hayanishwa-gurisha kuko rizotuma bamenyana hakongera hakaba ihanahanwa ry'ibidandazwa vyoroshe.

Ponsiyano HATUNGIMANA, ni umunyamabanga ntayegayezwa mu bushikiranganji bw'agateka kazina muntu, imibano n'iterambere ridakumira akaba ari we yari yaserukiye umushikiranganji muri ivyo birori, kubwiwe arakeza abakenyezi birimizi kuko aribo baronsa abanyagihugu bose ibibatunga mu buzima, hamwe n'ibindi vyishi.

Ivyo vyose bakabikora badasize inyuma igikorwa co kwitwara-rika umuryango, *«Muri karahara mu ruganda ntibacure».* Yarangije iryo jambo asa-



Foto: Chanel HARINGANJI

ba abo bakenyezi kuja mumashirahamwe n'amakoperative kugira bashire inguvu zabo hamwe, bagendaranire bungurane ubumenyi n'ubuhinga kandi baronderere amasoko hamwe.

Tubamenyeshe ko uwo musi mukuru watanguye guhimbazwa mu mwaka wa 2007, n'ibihugu vyose bihurikiye mw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU, kugira vyerekane ibikorwa vy'umukenyezi mwirimizi mu kuzamura ubutunzi bw'igihugu.

Aha mu Burundi ukaba wahimbajwe uwo musi, mugihe wari guhimbazwa ku wa 15 Gitugutu, ariko bikaba bitakunze kubera hari hategekanijwe ibi bikorwa ku rwego rw'igihugu.

Ivyo birori vyahimbajwe ku civugo ngo: *«Ibikorwa vy'umukenyezi mwirirmizi, nivyo shimikiro ryo kurwanya ubukene n'inzara»*

**Chanel HARINGANJI**

# Ikibazo kibajijwe neza kironka inyishu nziza

Mu nomero iheruka twari twabashikirije inyishu ku bibazo vy'ubutungane, muri i nomero, tubabwira inyishu z'ibibazo vya FOMI, amatongo, abana bo mw'ibarabara.

Umwavu wa FOMI urakwije ibisabwa?

Ku kibazo cereyekeye umwavu canke ifumbire rya FOMI udakwije ibisabwa ngo ufumbire neza ibiterwa, Umushikiranganji w'uburimvyi, ubworozi n'ibidukikije, Prosper Dodido yaremeye ko uyo mwavu ugisife agahaze, ariko agahamagarira abanyamitahe n'abahinga kwubaka irindi hinguriro ryoza risahiriza irihari.

Ariko ko mu kurindira, abenegihugu bazoba barakoresha uyo mwavu.

Ibohorwa ry'amapeta n'ukudugirizwa imishahara y'abakozi ba Reta

Ku kibazo cerekeye ukudugirizwa canke ukubohora amapeta no kudugirizwa umushahara ku bakozi ba Reta, Umushikiranganji w'abakozi n'akazi Venuste Muyabaga yaramenyesheje ko ibice bishika 90 kw'ijana vy'abakozi bamaze guharurirwa ko barindiriye utwo duce dusigaye kandi ko ico kibazo kigiye kuva mu nzira bitarenze ukwezi kw'icumi uyu mwaka nyene.

Abana n'abakuze biyerereza mw'ibarabara

Ku kibazo c'abana n'abakuze biyerereza mu mabarabara, Umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, umutekano n'iterambere rusangi, Martino Ninteretse yaramenyesheje ko ikibazo c'abana n'abakuze baciyerereza mu ma barabara bagihagurukiye, ko mu ku munsi wa mbere w'igenekerezo rya 9 Gitugutu 2023, abana bose bamaze kwegeranirizwa hamwe bazojanwa mu kigo cabagenewe kiri mu ntara ya Cankuzo, ko kandi bateguye n'abahinga bazobafasha bakabigisha kuba abantu b'ubuntu, bagire indero, baze bagire nabo ico bimarira mu buzima kuko ngo nta buzima bwo mw'ibarabara.

Ibibanza biri mu gisagara ca Bujumbura bisabwa kwubakwa mu ntumbero y'itegeko rishasha ryo kwubaka inzu zigeretse kabiri canke gatatu.

Umushikiranganji w'inyubako za Reta Dieudoné Dukundane amenyesha ko iyo ngingo atari nshasha na gato ko hari ingingo yo muri 2016 yerekana uko igisagara ca Bujumbura cokwubakwa. Aramenyesha ko ata muntu n'umwe abujijwe kugurisha urupangu rwiwe mu gihe afise impapuro zibiranga. Ababujijwe ni abaronse amatongo canke ibibanza hanyuma ntibayakoreshe ico bayasabiye.

Hari n'ibindi bibazo vyabajijwe abandi bashikiranganji kandi vyarishuwe

**Patiri Noël Ntirandekura**

# Abigeme barakwiye kwijukira ibisata vy’ubuhinga



Foto: Chanel HARINGANJI

Abo ni abigeme bahawe ubushimwe kuri uwo musi kubera berekanye ubutwari mu bikorwa vyo kwiteza imbere hamwe n’ababaye abambere mu bibazo vya leta ku rwego rw’igihugu

Bishimikije icivugo ngo: *«Duhimirize abigeme kwijukira kwiga no gukora mu bisata vy’ubuhinga»,* ku wa 20 Gitugutu 2023, Uburundi bwari buramutse bwifatanya n’amakungu mw’ihimbazwa ry’umusi mukuru mpuzamakungu wahariwe umwigeme.

Ivyo birori vyabereye ku kibuga ca Anglicane muri Komine Mwumba intara ya Ngozi, birongowe na Imelde SABUSHIMIKE umushikiranganji w’agateka kazina muntu, imibano n’iterambere ridakumira.

Bamwe mu bari bitavye ivyo birori kandi harimwo n’abigeme batari bake bari baje bava ku mashure ari muri ako karere ka Komine Mwumba n’ahandi.

NIYOKWIZIGIRA Médiatrice yari yaserukiye amashirahamwe aharanira ineza y’abakenyezi n’abigeme, mw’ijambo ryiwe, avuga ko ico civugo c’uwo



Foto: Chanel HARINGANJI

musi kibaha akaryo keza ko kurimbura intambwe bagezeko mu bijanye no kwiga ibisata vy’ubuhinga ku bana b’abigeme, urugero bagezeko mu kubikoreramwo; gutereza amaso inyuma bakaraba iyo bavuye, aho bageze n’iyo bagana hamwe n’intambamyi zibuza umwigeme kwijukira kwiga no guhurumbira ibisata vy’ubuhinga, hamwe no kwihweza icokorwa kugirango abigeme biyongere muri ivyo bisata.

Ico ashima, n’uko ibitigiri vy’abigeme biga vyongerekanye kuburyo umwigeme yiga agashobora kuminuza amashule. Ariko bimwe mu ntambamyi bafise, n’uko abo bigeme nyene batarijukira guhurumbira ibisata vy’ubuhinga.

Yaboneyeho gusaba leta y’Uburundi ifadikanije n’abayifasha mu migambi yayo gushira inguvu hamwe mu guhimiriza abigeme kwiga ivyo bisata vy’ubuhinga kugira bazoshike kuri ya mbonakazoza leta yihaye.

Umushikiranganji w’agateka kazina muntu, imibano n’iterambere ridakumira Imelde SABUSHIMIKE, avuga ko zimwe mu ngorane zituma abigeme badashobora kwiga muri rusangi ari : « Kuburizamwo utwigoro tugirirwa umwana w’umwigeme kugira ashobore kwiga kubera umwigeme ari uwo kubaka gusa, kumuremereza ibikorwa, ivyo bigatuma ataronka umwanya ukwiye wogusubiramwo ivyigwa, ukutaronka ibikoresho bimwe bimwe biharije ivyo bigatuma basiba kwishule, ingorane zijanye no kudahabwa ikibanza gikwiye mu muryango bigatuma atigirira icizere akifata nk’uwudashoboye,...».

Naho biruko, leta ntihengeshanya kugira utwigoro kugirango umwana w’umwigeme yoroherwe.

Avuga ko kandi, icivugo c’uwo musi bagitoye mu



Foto: Chanel HARINGANJI

ntumbero yo gutorera umuti ibitigiri bike vy’abakenyezi n’abigeme bakora mu bisata vy’ubuhinga.

Yaciye aboneraho gutanga impanuro ku bigeme bose abasaba kutajana nyabahururu ngo bazimire ryaka, kutaja ku mohe y’ababahenda ngo hariho umwuga utabereye abigeme mu kubaca intege ngo ntibakurikire ibisata vy’ubuhinga kuko boca bagira inyifato nk’izabagabo,...

Yaboneyeho kandi gutera akamo abatanga ubuzi mu bisata vy’ubuhinga, ko n’abigeme boza bararonkamwo ikibanza kugira bagire ico baterereye mu mashirahamwe yabo.

Yasavye kandi abasanzwe bunganira leta mu migambi y’iterambere kubandanya bafasha kugira amashule yigisha ibijanye n’ubuhinga aronswe ibikoresho bikwiye kandi bigezweho, bizotuma abayarangije baba bafise ubumenyi bukwiye.

Uwaserukiye ubushikiranganji bw’indero mu cigwa yatanze uwo musi, yarerekanye ko ibitigiri vy’abanyeshule kugeza uyu musi vyerekana ko abigeme aribo benshi gusumba abahungu.

Uwo musi mukuru rero, wemejwe n’inama ya bose y’ishirahamwe mpuzamakungu ONU mu mwaka wa 2011, uca utangura guhimbazwa kw’isi yose ndetse no mu gihugu cacu c’Uburundi ku wa 11 Gitugutu 2012.

Uyu mwaka, ibirori bijanye n’uwo musi bikaba bitashoboye guhimbazwa kuri iryo genekerezo, kubera ibindi bikorwa bihambaye vyari vyategekanijwe kurwego rw’igihugu.

**Chanel HARINGANJI**

# Igice ca mbere c'inama nsanginzangendo caraye gisozerewe

Ku wa 29 Gitugutu 2023 i Vatikano niho basozera igice ca mbere c'inama nsangizangendo, ariko ikazobandanya muri Gitugutu 2024.

Icegeranyo ciyo nama kikaba casohotse ku wa 28 Gitugutu 2023 inyuma y'indwi zine zari ziheze batanguye iyo nama ku wa 4 Gitugutu 2023 mu nzu y'inama yitiriwe Paul VI.

Ibikuru bikuru biri muri iryo kete ry'icegeranyo c'iyo nama.

**1. Ukumviriza abantu bose mugushira imbere abahohotewe.**

Abari muri iyo nama baremeje igikorwa co gutangura kumviriza no guherekeza abantu bose na canecane abahohotewe muri Ekleziya n'abakomeretse.

Mu nzira igana ugusubiza hamwe n'ubutungane, iyo nama isaba kudatinya kudoma urutoki ku vyatumye haba amabi yo guhohoterwa, mu nzira yo kugaragaza ibimenyetso biboneka vyo kwigaya no kwinegura.

**2. Ishusho y'Ekleziya mu nzira yo gutambukira hamwe.**

Ugutambukira hamwe, ni akaranga karanga Ekleziya mu gikorwa c'isangiramutima, ubutumwa no kwitangiranira. Ni uburyo Ekleziya ihamagariwe kubamwo no guha agaciro ubudasa buri muriyo no guteza imbere ibikorwa vyo kuyitangira kuri bose.

3. **Ubutumwa.**

Ugutambukira hamwe bijanye rwose no gukora ubutumwa. Nico gituma ari ngombwa ko imibano y'abakristu igiriranira imigenderanire myiza hamwe nayandi madini. Vyoba vyiza rero amasabamana abaye mu rurimi rwumvwa na bose kandi akaba ayinjiye rwose mu budasa bw'uburanga butandukanye.

**4. Ikibanza c'abakene.**

Iyo nama yarahaye ikibanza kibereye abakene basaba Ekleziya urukundo rusigura ukwubaha, ukwakira no kwibuka. Iyo nama yarerekanye neza abo Ekleziya ifata nk'abakene: inyambukira, abasangwabutaka, abahohotewe cane cane abagore, abantu badafise ubwigenge, abantu baba mu gihugu bari ku rushi, abageze mu zabukuru hamwe n'abakozi bacurwa bufuni na buhoro.

Aboro basumba bose bakeneye uwubavugira ni abana bakiri mu mbanyi ya ba nyina wabo bumva amarira yababibungeze kubera uruhamo, amagorwa aterwa n'intambara ziri hirya no hino zivuye ku ntwaro itabereye, politike mbi n'ubutunzi buri mu minwe ya bamwe bamwe.

**5. Uruhara rw'abemera mu bijanye n'intwaro ibereye ni neza ya bose.**

Kuri urwo ruhande, Ekleziya ihamagariwe kurwanira bimwe biboneka ubutungane; ikarwanya ico cose kije gica kubiri nabwo mu ntwaro, mu buzi butandukanye, mu mashirahamwe n'ahandi hose umuntu ariko ararenganywa.

Ekleziya ntiyokwirengangiza uruhara rwayo ku bijanye n'indero hamwe n'amagara y'abantu idakumiriye canke ngo yirengagize umuntu n'umwe.



*Abaje muri iyo nama bicaye ku mirwi mirwi*

**6. Inyambukira.**

Barashimikiye cane ku nyambukira n'impunzi bagendana ibikomere bidasanzwe kubera ubuzima babamwo butewe n'ubukene, indwano n'uguhohoterwa. Abo bantu ni isoko ry'itunga ku mibano y'abakristu ibakiriye kakaba n'akaryo ko kungira ubumwe ama Ekleziya y'ibindi bihugu.

Kubera inyifato zitabereye abo bantu berekwa, inama nsangizangendo ihamagarira abakristu kwakira neza inyambukira, kubaherekeza neza mu bijanye no kuba mu bwo buzima bushasha n'isangiramutima riranga abana b'Imana. Nico gituma ababakira bahamagariwe kubaha imigirwa y'amasabamana y'ama ekleziya baje bavamwo.

**7. Mu nzira y'ubumwe bw'abemera Kristu**

Ku bijanye n'ubumwe bw'abemera, inama nsangizangendo ivuga ku bijanye n'inagurwa mu buzima bw'umutima buturuka ku guhinduka no gukira ibikomere vy'umutima. Iyo nama ikagaruka kw'ijambo rya Nyenubweranda ryerakana aho abakristu badasangiye amashengero bihebera ukumenyesha Kristu gushika naho basesa amaraso.

Iyo nama irerekana ko ugukorana neza n'abakristu badasangiye amashengero ari uburyo bwo gukira urwanko, amacakubiri n'indwano zitandukanya bamwe n'abandi. Ntibibagiye n'ibibazo biterwa n'ubugeni hagati y'abadasangiye amashengero.

**8. Abalayike n'imiryango**

Abalayike, abihebeyimana n'abasaseredoti barakeneye bose kwubahwa. Ukwitanga kw'abakristu b'abalayike kuribonekeza mu mibano y'abakristu. Ubutumwa bwabo bufise uruhara rudasanzwe mu gikorwa co mumenyesha inkuru nziza muri Ekleziya.

Ekleziya ihamagariwe kumenya no guha agaciro ingabirano zabo. Ikirinda ico cose cotuma izo ngabirano zitaja ahabona kubera ugukumirwa n'ibindi.

***Biracaza***

***MSV Ndikumana Marie Goreth***

# Abarwaye indwara zo mu mutwe bafise uburenganzira co kimwe n'abandi bose

Ku wa 10 Gitugutu uko umwaka utashe isi yose irahimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe indwara zo mu mutwe. Ni muri iyo ntumbero abarongoye ibitaro CNPK vyo mu Kamenge aho benshi bakunze kwita kwa Le Gentil barateguye imisi ibiri y'imiryango yuguruye aho basiguriye abantu ibijanye n'indwara zo mu mutwe bagatanga n'umuco ku bibazo benshio bokwibaza ku bijanye n'izo ndwara. Hari kuwa 19 na 20 Gitugutu 2023.

Furera Ciza Maurice arongoye ivyo bitaro, ati: «Indwara zo mu mutwe ni nyinshi cane. Ico zihuriyeko ni uko zose zisinzikaza ubuzima bwa kiremwa muntu.»

Nk'uko Furera yabivuze, ngo abarwayi b'indwara zo mu mutwe bahura n'ingorane nyinshi. Ati: «Mu kibano barakumirwa, baratungwa agatoki. Abarwaza ntibabatahura. Umuryango u-rimwo umuntu arwaye mu mutwe ababanyi ntibawutahura. Mbere barawuhererekana ukamengo indwara zo mu mutwe si indara nk'izindi zose.»



Ku bwa furera Ciza Maurice, abantu ngo bova i buzimu bakaja i buntu, bagahindura ivyiyumviro ku bijanye n'indwara zo mu mutwe. Izo ndwara ziravugwa kandi zigakira.

**Ibibazo ntibibuze mu gisata co kuvura indwara zo mu mutwe**

Nk'uko uwo muyobozi abivuga, ikibazo nyamukuru gihanze abakorera mu gisata c'ubuvuzi bw'indwara zo mu mutwe ngo ni imiti izimvye cane kandi amikora y'imiryango nayo ari mato cane. Ikindi naco ngo imiti ivura abagwaye indwara zo mu mutwe ni imiti isaba ko uwuyifata aba yafunguye bikwiye. Ivyo bigaca biza gusongera isibe mu gihe imiryango myinshi itaronka ivyo ifungura ku rugezo rukwiye.

Ku bijanye n'ibitigiri vy'abitura ivyo bitaro, ngo abantu ni benshi. Ati: «Naho tutararenza ibitigiri vy'abantu bagenewe kwakirwa muri ivyo bitaro, abantu dufise ni benshi dufatiye ku baganga dufise babafasha.»

Dr Jérome Ndaruhutse yaserukiye OMS, yavuze ko imigambi n'imigabo y'iryo shirahamwe mpuzamakungu ryitaho amagara y'abantu kw'isi ko ari gushikiriza umuntu wese ubufasha bufatiye ku magara meza. Ati « Nico gituma ishirahamwe mpuzamakungu OMS ataco ritazokora ngo rishigikire ibikorwa vya Reta mu bijanye no kwitwararika amagara y'abantu.»



Muganga Jérome yaremeje ko mu Burundi abantu bafise indwara zo mu mutwe ari benshi. Ati: « Igihe tuboneye habayeho ibigo vyakira abafise indwara zo mu mutwe hagati mu gihugu, twari twizigiye ko ibitaro vyo mu Kamenge bizoca bironka agahengwe. None aho kugabanuka, abantu bafise indwara zo mu mutwe bagumye biyongera.»

Uwo muganga araremesha abaganga bakora mu bitaro vy'abafise indwara zo mu mutwe, ababwira ko ivyo bakora birengeye kwitwa akazi. Ati : «Ni ubutumwa».

Ivyo yabivuze gutyo kuko ngo abarwaye indwara zo mu mutwe baragoye cane kuvura. Si co kimwe n'abandi barwaye, kuko bobo hari naho uwurwaye umubaza ingene amerewe, akakwishura, akakubwira aho ababara, gutyo bigafasha uwuriko aramuvura. Ariko abafise indwara zo mu mutwe bobo aho gufasha umuganga, baramutuka, baramukubita, baramucirako amate, n'ibindi.

Tubamenyeshe ko ibitaro CNPK vyo mu Kamenge aho bita kwa Le Gentil kuva bigishingwa ari ibitaro vyegukira Abafurera b'urukundo bakaba bafadikanya na Reta mu kwitwararika abarwaye indwara zo mu mutwe. Ivyo bitaro vyatanguye gukora mu 1979.



*Bamwe mu bari bitavye ibikorwa vyo gusigurirwa ibirangurirwa mubitaro vy'abarwaye indwara zo mu mutwe CNPK mu Kamenge*

Ivyo bitaro bifise ubushobozi bwo kwakira abarwaye 179 mu bura-ro 4 bugize ivyo bitaro. Ibitaro birakira abagabo n'abagore bamwe bamwe bose ukwabo. Mu mwaka w'2020, ivyo bitaro vyakiriye abantu 10544. Mu mwaka w'2021, vyakiriye abantu 9138

**Mélance Ndayikeze**

# Kuva 2025, Intara ya Gitega izoba igizwe n'amakomine 9

Intara ya **Gitega** ifise umugwa mukuru Gitega, igizwe n'amakomine 9 n'amazone 101. Ayo makomine ni Bugendana, Gishubi, Gitega, Karusi, Kiganda, Muramvya, Mwaro, Nyabihanga, Shombo.

*1. Komine Bugendana, umugwa mukuru wa komine ni Bugendana, igizwe n'amazone 7. Nayo ni:*

-Zone Bitari igizwe n'imitumba 7: Bitare, Carire, Gaterama, Gitongo, Kibasi, Kibungo, Runyeri.

- Zone Bugendana igizwe n'imitumba 7: Cishwa, Jenda, Mugitega, Mukoro, Mwurire, Nkanda, Rwingiri.

- Zone Gitongo igizwe n'imitumba 7: Gitongo, Masango, Muririmbo, Muyange, Muzenga, Mwumba, Nkongwe.

- Zone Mugera igizwe n'imitumba 4: Gitora, Mirama, Nyamagana, Rushanga.

- Zone Mutaho igizwe n'imitumba 7: Bigera, Mushikamwa, Mutaho, Nyabisaka, Nyangungu, Kartiye Bigera, Kartiye Kigwati.

- Zone Mutoyi igizwe n'imitumba 4: Mutoyi, Kivuvu, Nyagisenyi, Nyakeru.

- Zone Rwisabi igizwe n'imitumba 7: Gerangabo, Kidasha, Kinyinya, Kivoga, Ngoma, Nzove, Rurengera.

Yose hamwe ni imitumba 41 n'amakartiye 2 bigize amazone 7 ya Komine Bugendana y'Intara ya Gitega.

*2. Komine Gishubi, umugwa mukuru wa komine ni Gishubi, igizwe n'amazone 15. Nayo ni :*

- Zone Bukirasazi igizwe n'imitumba 7: Bukirasazi, Migano, Mpingwe, Nyambuye, Rugoma, Rwinyana, Shaya.

- Zone Buhoro igizwe n'imitumba 6: Bihomvora, Bikingi, Bukoro, Jurwe, Masare, Muhororo

- Zone Buraza igizwe n'imitumba 7: Bubaji, Buraza, Buriza, Gicumbi, Kabumbe, Musebeyi, Ndava.

- Zone Butezi igizwe n'imitumba 4: Butemba, Butezi, Muyange, Ndago.

- Zone Gishubi igizwe n'imitumba 8: Bukwavu, Gishubi, Mugozi, Muhuzu, Munyinya, Nyakigina, Remera, Ruhande.

- Zone Kavumu igizwe n'i-mitumba 7: Kibagara, Kibaya, Kinyonzo, Mahonda, Murama, Nyakarambo, Nyamugari.

- Zone Kibere igizwe n'imitumba 5: Bunyuka, Kibere, Nyamisure, Rugabano, Rukoki.

- Zone Kibuye igizwe n'imitumba 6: Buhanda, Gasongati, Kibuye, Ruhinda, Ruvumu, Tema.

- Zone Mahonda igizwe n'imitumba 8: Bitate, Bugega, Gisura, Gitaramuka, Mahonda, Maza, Mugano, Rweza.
-Zone Mugaruro igizwe n'imitumba 10: Bucana, Gatare, Gatoze, Kejari Mikore, Mugaruro, Muhagaze, Mujejuru, Rukina, Rwitamba.

- Zone Murambi igizwe n'imitumba 4: Gahembe, Gatwaro, Gitaramuka, Murambi.

- Zone Nyabiraba igizwe n'imitumba 7: Cimba, Kayogoro, Murangara, Murehe, Ntunda, Nyamutobo, Yanza.

- Zone Nyabitanga igizwe n'imitumba 9: Gikuka, Kigomera, Kigufi, Musenga, Ndago, Nyakinazi, Nyamirama, Nyamugari, Rurimbi.
- Zone Nyarusange igizwe n'imitumba 7: Biziya, Gasenyi, Kabimba, Kigara, Muzima, Nyarubenga, Tye.
- Zone Ryansoro igizwe n'imitumba 6: Mirango, Murenge, Ngaruzwa, Ntunda, Nyentambwe, Rusaga.

Yose hamwe ni imitumba 101 igize amazone 15 ya Komine Gishubi y'intara ya Gitega.

*3. Komine Gitega, umugwa mukuru wa komine ni Gitega, igizwe n'amazone 14. Nayo ni :*

- Zone Buhevyi igizwe n'imitumba 5: Buhoro, Kagoma, Kanyonga, Rukobe, Rutegama.
- Zone Buhinda igizwe n'imitumab 9: Buhinda, Gihamagara, Kibogoye, Kirambi, Kiremba, Kugitega, Mugomera, Peniyere, Ruhanza.
- Zone Giheta igizwe n'imitumba 8: Bihororo, Gisuru, Kibogoye, Kiremera, Korane, Muremera, Ruhanza, Rutegama.
- Zone Itaba igizwe n'imitumba 9: Butare, Gisikara, Itaba, Kanyinya, Karemba, Kinyaruko, Macu, Mutanga, Nkima.
- Zone Kabanga igizwe n'imitumba 9: Gihehe, Gihuga, Kaguhu, Kibimba, Murayi, Musama, Muyange, Nyamugari, Rweru.
- Zone Kiriba igizwe n'imitumba igizwe n'imitumba 9: Gasunu, Gisarara, Gishuha, Kamonyi, Kibande, Kiriba, Masasu, Rubarasi, Rwingiri.
- Zone Makebuko igizwe n'imitumba 9: Bugumbasha, Gasasa, Kagege, Makebuko, Mavuvu, Ngundu, Ntita, Rwanda, Rwesero.
- Zone Maramvya igizwe n'imitumba 10: Buga njanja, Karoba, Kiyange, Murago, Musave, Muyange, Rusagara, Rwezamenyo, Simba.
- Zone Mariza igizwe n'imitumba 5: Bukinga, Kanyinya, Mitimire, Mubuga, Nyarunazi.
- Zone Mubuga igizwe n'imitumba 8: Bukwazo, Karenda, Kimanama, Mirama, Mubuga, Mukanda, Murirwe, Ngobeke.
- Zone Mungwa igizwe n'imitumba 4 n'amakartiye 6: Bihanga, Kibiri, Rutoke, Rweza, Kartiye Butamuheba, kartiye Jimbi, Kartiye Karera, Kartiye Mugoboka, Kartiye Mungwa Kartiye Ntobwe.
- Zone Murenda igizwe n'imitumba 9: Butobwe, Gasagara,Gasenyi, Muhororo, Murenda, Mwangazi, Mwumba, Nyamagandika, Rutanganika.
- Zone Nyamugari igizwe n'amakartiye 11: Bwoga, Magarama, Musave, Mushasha, Musinzira, Nyabisindu, Nyabututsi, Nyamugari, Rango, Shatanya, Yoba.
- Zone Rutegama igizwe n'imitumba 4 n'amakartiye 9: Higiro, Gitamo, Nyakibingo, Karitiye Birohe, Karitiye Ceru, Karitiye Mahonda, Karitiye Mugutu, Karitiye Rubarasi, Karitiye Rukoba, Karitiye Rutegama, Karitiye Songa, KaritiyeZege n'umutumba Rubamvyi.

*Yose hamwe ni imitumba 98 n'amakartiye 26 bigize amazone 14 ya Komine Gitega.*

**Biracaza**

*Ibwirizwa N°1/05, yo ku wa 16 Ntwarante 2023, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.*

# Uburenganzira bw'ukwiregura imbere ya sentare

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa mu rubanza rumwerekeye kandi akarondera umushingwamanza yitoreye amuburanira. Ntawushobora kubuzwa ku gahato kuburana imbere ya sentare kandi hari ibwirizwa ribitegekanya.

Uburenganzira bw'ukwiregura buguma bwubahirijwe naho umuntu aba yafatanywe itonga.

Naho biri uko, umuntu wese ahawe ijambo mu ntahe y'icese, ategerezwa gushikiriza imburano ziwe mu rupfasoni no mu cubahiro kibereye ubutungane.

Uburenganzira bw'ukwiregura butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'igihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ategakanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'ukwiregura butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike,

* Amasezerano yerekeye agateka k'abana,

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

*a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu*

Umuntu wese arafise uburenganzira bw'ukwumvirizwa mu ntahe y'icese mu rubanza rumwerekeye.

Tubisanga mu ngingo ya 10 ivuga ko umuntu wese ashobora gusaba ko urubanza rwiwe rukurikiranwa mu ntahe y'icese imbere ya sentare itagira aho yegamiye, itaraba nkunzi ari yo izotomora ko uwo muntu ivyo yagirizwa bifise ishingiro.

Naho umuntu aba yagirizwa icaha canke yafatanywe itonga aguma afise uburenganzira bwo kwiregura imbere ya sentare ibifitiye ububasha. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 11, mu gace kayo ka 1, aho ivuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aba ameze nk'umwere gushika sentare imucire urubanza kandi yarekuriwe kwiburanira uko bikwiye.

*b) Mu masezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike.*

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kwiregura haba mu ntahe y'icese canke mu mwiherero. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 14 ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko no mu nzego zose z'ubutungane. Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa mu ntahe y'icese, muri sen-



tare ibifitiye ububasha, ataho yegamiye, ikaba ari yo yemeza ukuri kuri muvyo yagirizwa n'amategeko mpanavyyaha.

Urubanza rurashobora kutaburanishwa mu ntahe y'icese mu ntumbero yo kubungabunga imico myiza, umutekano mu gihugu canke igihe sentare ibonye ko bibereye ko urubanza ruburanishirizwa mu mwiherero.

Naho urubanza ruba rwaburanishirijwe mu mwiherero, ingingo yafashwe na sentare irasomwa mu ntahe y'icese kiretse iyo ari urubanza rurimwo abana bagirizwa ivyaha, canke iyo ari urubanza rwerekeye abubakanye.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko uwagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare imucire urubanza. Ibi bitegekanijwe mu gace ka 2 k'iyi ngingo kavuga ko umuntu wese yagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika igihe intahe yerekanye icaha ciwe.

Uwagirizwa icaha ararekuriwe kwiburanira n'ukurondera uwumuburanira. Ibi tubisanga mu ngingo ya 14, mu gace ka 3 d), kavuga ko uwagirizwa icaha ategerezwa kuba ari ho ari igihe c'urubanza rwiwe, akiburanira we nyene canke akagira uwumwunganira yitoreye ; iyo adafise uwumuburanira akamenyeshwa ko afise uburenganzira bwo kumurondera, kandi mu gihe sentare ibona ko bikenewe, akagenerwa uwumuburanira ataco arinze gutanga mu gihe ata buryo bwo kumuhemba afise.

*c) Mu masezerano yerekeye agateka k'abana*

Umwana yagirizwa icaha arafise uburenganzira bw'ugufatwa nk'umwere n'ubw'ukwiregura. Tubisanga mu ngingo ya 40, mu gace ka 2 b i) kavuga ko umwana yoguma afatwa nk'umwere gushika icaha kimwagire.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace ka 2 b ii), ko umwana wese yiketswe canke yagirijwe icaha ategerezwa kumenyeshwa mu maguru masha ivyaha yagirizwa bakamushikira

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'ukwiregura imbere ya sentare

(Bitangurira ku rup.10)

we nyene canke bakabicisha ku bavyeyi biwe canke ku bamuserukira imbere y'amategeko akaronka uwumuburanira canke ubundi buryo bwose bushobora kumufasha kwiregura.

*d) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu*

Umuntu wese arafise uburenganzira bw'ukwiregura no kurondera umushingwamanza amuburanira yitoreye. Ibi tubisanga mu ngingo y'7 mu gace ka 1 c, kavuga ko umuntu wese arekuriwe kwiregura no kurondera umushingwamanza yitoreye amuburanira.

Nk'uko duhejeje kubibona, amategeko mpuzamakungu atandukanye arategekanya uburenganzira bw'ukwiregura, n'amategeko y'igihugu c'Uburundi ni uko nyene.

**2. Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira**

Mu mategeko y'igihugu cacu, tuja kwisunga ibiri mw'Ibwirizwa Shingiro hamwe n'ibiri mu gitabu c'amategeko yerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.

*a) Mw'ibwirizwa Shingiro*

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono harimwo itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu, amasezerano mpuzamakungu yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye poritike, amasezerano yerekeye agateka k'abana hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kumvirizwa bikwiye atakarenganyo. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 38 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga iti "umuntu wese, mu rubanza rwa sentare canke rwo mu ntwaro, arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa bikwiye ata karenganyo kandi agacirwa urubanza mu gihe gikwiye, cumvikana."

Ingingo ya 39, mu gace kayo ka 3, ivuga iti "Ntawushobora kubuzwa ku gahato kuburana imbere ya sentare ibwirizwa ribitegekanya".

Uwagirizwa icaha aguma afatwa nk'umwere gushika sentare imwumvirije ikamucira urubanza. Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 40 aho ivuga ko "umuntu yagirijwe icaha afatwa nk'umwere gushika yagire icaha hakurikijwe amategeko mu ntahe y'icese kandi yaronse uburyo bukwiye bw'ukwiregura."



*b) Mw'Ibwirizwa n°1/10 ryo kuwa 7 rusama 2018 ryerekeye ingene imanza z'ivyaha zitohozwa, ziburanishwa n'ingene zicibwa.*

Uwagirizwa icaha arekuriwe kurondera uwumufasha kuburana. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 222 ivuga ko umuburanyi wese ashobora gufashwa kuburana n'umushingwamanza canke umuntu yemewe na sentare mu rubanza rumwerumwe rwose agashobora gufata ijambo kw'izina ry'uwamutumye.

Mu gihe ari uwukurikiranwa ku caha gihanishwa umunyororo w'imyaka mirongo ibiri n'iyirenga, ategerezwa kugira uwumufasha kuburana kiretse iyo atabishatse, nk'uko ingingo ya 222, agace ka 3 ibandanya ivyerekena.

Naho umuntu wese afise uburenganzira bw'ukwiregura, umuburanyi asabwa gushikiriza imburano ziwe mu rupfasoni imbere y'intahe. Ibi tubisanga mu ngingo ya 225 ivuga ko umuntu wese ahawe ijambo mu ntahe y'icese, ategerezwa gushikiriza ivyo avuga mu rupfasoni no mu cubahiro gikwiye ubutungane.

Itegeko umukuru w'intahe atanze ry'ukwubahiriza umutekano mu ntahe ritegerezwa gukurikizwa ubwo nyene.

Naho umuntu aba yafatanywe itonga, agumana uburenganzira bwo kwiregura, abishoboye akarondera n'umushingwamanza amwunganira mu bijanye n'amategeko.

Ingingo ya 269 ivuga ko umushikirizamanza amenyesha uwagirizwa icaha ko afise uburenganzira bwo kwironderera umushingwanza amuburanira. Ivyo abishira mu cegeranyo c'ivyashikirijwe n'uwagirizwa icaha kandi na we nyene ashirako umukono.

Iyi ngingo ibandanya ivuga, mu gace ka 2, ko uwagirizwa ategerezwa kuba afise uwumuburanira mu gihe icaha cakozwe gihanishwa umunyororo w'imyaka mirongo ibiri.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese afise uburenganzira bw'ukwiregura.

Ntawushobora kubuzwa kwiregura naho yoba yafatanywe itonga. Twabonye kandi ko uwukurikiranwa ku caha gihanishwa umunyororo w'imyaka mirongo ibiri n'iyirenga, ategerezwa kugira uwumufasha kuburana kiretse iyo atabishatse.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# UMUSI MPUZAMAKUNGU WAHARIWE UBUTUMWA BWO KUMENYESHA HOSE INKURU NZIZA YA YEZU KRISTU

## 22 GITUGUTU 2023

## " N'IMITIMA YUZUYE URUKUNDO, BAFATA URUGENDO"

(Luka 24, 13-35)







## "Uwabati jwe wese ni umutumwa"

**INDWI YA MBERE**
Kuva kw'igenekerezo rya 01 Gushika kw'igenekerezo rya 7 Gitugutu 2023. Indwi ihariwe kumenyekanisha Igikorwa ca Papa co gukwiza hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

**INDWI YA KABIRI**
Kuva kw'igenekerezo rya 8 Gushika kw'igenekerezo rya 14 Gitugutu 2023. Indwi ihariwe ukumenyekanisha igikorwa ca Papa co gukwiza hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu mibano rukristu.

**INDWI YA GATATU**
Kuva kw'igenekerezo rya 15 Gushika kw'igenekerezo rya 21Gitugutu 2023. Indwi ihariwe kugendera no kuremesha abagowe n'abarwaye.

**INDWI YA KANE**
Kuva kw'igenekerezo rya 22 Gushika kw'igenekerezo rya 28 Gitugutu 2023.
Iyo ndwi ihariwe kwegeranya amashikanwa arungikwa mu kigega rusangi c'ubutumwa bwo kumenyesha hose Inkuru Nziza ya Yezu Kristu.

**INDWI YA GATANU**
Kuva kw'igenekerezo rya 29 Gitugutu Gushika kw'igenekerezo rya 04 Munyonyo 2023.
Indwi ihariwe gukenguruka ku vyiza twagabanye mu kwezi kw'icumi.

*Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu BURUNDI.*
*Oeuvres Pontificales Missionnaires /BURUNDI*

*(Bitangurira ku rup.3)*

umwe wese ku gatwe kiwe kandi nk'Umuryango kuko « ukumenyesha Inkuru nziza ariko karanga ka buri gikorwa cose c'Ekleziya » (ibid.15) Nk'uko umutumwa Pawulo avyemeza, «urukundo rwa Kristu ruraturaza ishinga rukaduhutagiza» (raba 2 Abanyakorenti 5, 14).

Urwo rukundo ruri ku mpande zibiri: urwo Kristu adufitiye ruratwibutsa, rukavyura kandi rugakabura muri twebwe urukundo tumufitiye. Ni urwo rukundo rero rutuma Ekleziya kumwe n'abayo igumana itoto mu kwugurura imbibe, kugira Inkuru Nziza ya Kristu imenyeshwe, yemeza ko « yapfiriye bose kugira abazima ntibabe bacigungana ubuzima bwabo, ariko babuture uwabapfiriye akongera akazuka » (2Abanyakorenti 5, 15).

Muri ico gikorwa co kumenyesha Inkuru Nziza, umwe wese rero arashobora guterera mu bikorwa n'igisabisho, mu gutanga intererano y'amafaranga canke ukwibabaza, no mu gushinga intahe. Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza nibwo buryo nyabwo bwo gufashanya muri ubwo butumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza, haba mu bisabisho no mu bikorwa.

Nico gituma ishikanwa ryegeranywa ku munsi mpuzamakungu wo kumenyesha Inkuru Nziza rigenewe Igikorwa ca Papa co gukwiza hose Inkuru Nziza. Igikorwa c'ubutumwa bw'Ekleziya kirihutirwa ku buryo gisaba abanyamuryango bose, igihe cose, kugira urunani mu butumwa.

Ni ihangiro nyamukuru y'inama nsangizangendo Ekleziya iriko irashira mu ngiro yishimikije aya majambo makuru makuru isangiramutima, ukugira uruhara n'ubutumwa. Iyo ngendo rero ntituma Ekleziya yiyugarana, si n'ukuja gucaca abantu mu gufata ingingo nk'uko biba mu Nama nshingamateka, mu vyo kwemera no gukora hakurikijwe uko abantu bavyiyumvamwo.

Ni urugendo nyabuna nka rumwe rwabigishwa b'i Emawusi mu kwumviriza Umukama yazutse aza igihe cose hagati yacu ngo adusigurire intumbero y'Ivyanditse kandi atumanyurire umukate, kugira ngo dushobore kubandanya urugendo dufise inguvu zikomoka kuri Mutima Mweranda n'ubutumwa bwiwe kw'isi.

Nk'uko abo bigishwa babiri biganiye abandi ivyari vyabaye mu nzira, (Luka 24, 35) niko natwe uko kumenyesha abandi, ubuzima bwa Yezu, ukubabara kwiwe, ugupfa n'ukuzuka vyiwe, ibitangaza urukundo rwiwe rurangura mu buzima bwacu, bizoba inkuru y'agahimbare y'Umukama Yezu.

Dusubire rero tugende natwe, tumurikiwe n'uko guhura n'Uwazutse kandi turi kumwe na Mutima wiwe.

Tugende imitima yuzuye urukundo, turi maso, dukenyereye urugendo, kugira dusosurutse iyindi mitima dukoresheje Ijambo ry'Imana, abandi tubafashe kubona Yezu muri Ukaristiya, twongere duhamagarire bose gusenyera ku mugozi umwe mu nzira y'amahoro n'urukiza Imana yahaye abantu muri Kristu.

Mariya mweranda Muvunyi w'abari ku rugendo, Nyina w'abigishwa-batumwa n'Umwa-mikazi w'ubutumwa, dusabire!

Bigiriwe i Roma, ku cicaro citiriwe Yohani Mweranda w'i Laterano, igenekerezo rya 6 Nzero2023 Ku musi mukuru w'Ukumenyekana kw'Umukama Papa Fransisko

*Vyahinduwe mu Kirundi n'"Ibiro Ndemeshabutumwa bw'"Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi. (Œuvres Pontificales missionnaires /Burundi)*